**RCC 9814**

**AMAJAMBO MAKURU MAKURU**

**Gusambuza urubanza – kuba mu ndagano zitegekanijwe n'amategeko – umwana w'ishushu atorana kwa nyina – umukwe wo ku ndaro - kwubaka biciye mu mategeko – kutagira ico uterera – guheraheza ibikorwa – urubanza rudasambuwe – kwandika ingingo mu bitabo vy'imanza za Sentare iherutse kuruca iruhande y'urubanza rudasambuwe.**

**URUBANZA**

-1-

RCC 9814

SENTARE NTAHINYUZWA ISHASHE MU GISATA CA GASAMBURAMANZA YACIYE URUBANZA RUKURIKIRA: INTAHE Y'ICESE YO KU WA 28 NZERO 2005

UWITWARA : B. Imelda, Q. Mutakuja, Komine n'Intara ya Cankuzo.

UWITWARIRWA : S. Cassien (+) aserukirwa na M. Alphonse.

Twihweje ko B. yanditse asaba ko yosamburirwa urubanza RCA 381 rwaciwe na Sentare Nkuru y'Igihugu ya Cankuzo, ikaba yaruciye ivuga iti :

Sentare Nkuru y'Igihugu ya Cankuzo ica imanza imbona nkubone ;

Ishinze ko :

- Yakiriye iyunguruzwa ry'urubanza nkuko ryagizwe na B. Imelde aserukira umwuzukuru wiwe N. Jean Claude kandi isanze imburano ziwe zishemeye mu gice kimwe.
- Inzu isiga B. Béatrice nyina wa N. Jean Claude akaba yari n'umugore wa S. Cassien izosangizwa S. Cassien na N.Jean Claude ku rugero rungana.
- Ipanzwe, amafranga avuyemwo bazoyagabura banganye, hagize umwe muribo ashaka kuvana n'uwundi, inzu izohabwa igiciro, umwe asubize uwundi, vyanse igurishwe icamunara amafranga abonetse agabugwemwo kubiri.
- Amagarama y'urubanza uko ari 5.600 FBu azotangwa na bose, umwe igice uwundi ikindi.

Twihweje ko uwitwariwe yamenyeshejwe ibirego vya B., agaca avyishura ;

Twihweje ko umucamanza n'umushikirizamanza batanze ivyiyumviro vyabo ;

Twihweje ko rwaciye ruhamagarwa mu ntahe y'icese yo ku wa 1/3/2004 ariko rugasubizwa inyuma nuko hakenewe idosiye yo mu Cankuzo ;

Twihweje ko rwasubiye guhamagarwa mu ntahe y'icese yo ku wa 11/ 6/ 2004 ariko naho nyene rugasubira inyuma kubera ya dosiye itari bwashike ;

- 2 -

Twihweje ko rwasubiye guhamagarwa mu ntahe y'icese yo ku wa 5/ 11/ 2004 ababuranyi bitavye bagasanga na ya dosiye yaraje, ariho baca baburana imbonankubone, hanyuma rugaca ruja mu mwiherero w'abacamanza kugira ngo hacibwe urukurikira :

Kubera ko B. Imelda yamenyeshejwe urubanza RCA 381 ku wa 6/ 9/ 2001 agaca yirukira Gasamburamanza ku wa 23/10/2001 azanye ibikenewe n'amategeko vyose ; dusanga ari mu ndagano none yemerewe kuburana ;

Kubera ko B. ashikiriza ibirego bikwirikira :

- Ngo inzu yubatswe n'umukobwa wiwe Béatrice ayubakira umwana w'ishushu yari yavyaye yitwa N. Jean Claude.
- Ngo S. ntaco yaterereye mu kwubaka iyo nzu.

Kubera ko uwuserukira S. avuga :

- Ngo S. niwe yaheraheje kuyubaka.
- Ngo kandi niwe abandanya ariha taxe y'agataka muri Komine.
- Ngo ntiyumva ingene umwana w'ishushu atoja kwa se mu Rutana.

Kubera ko urubanza ruhagaze ku kibazo co kumenya ko uwo mwana w'ishushu yotorana iyo nzu yubatswe na

nyina ari nawe yari yasavye ico kibanza muri Komine ;

Kubera ko Sentare yatohoje ikamenya ko Béatrice na S. bari bubatse biciye mu mategeko ; ikongera ikamenya, ibajije isura ya bose, ko S. yafashije muguheraheza iyo nzu, kandi ari umukwe wo ku ndaro ; igaheza igafata ingingo yo gusangiza iyo nzu uwo mwana w'ishushu wa Béatrice na S;

Kubera ko dusanga Sentare yaciye urubanza rutunganiriza bose (équité) ; kubwa Gasamburamanza, tubona ata kosa rifatiye ku migenzo y'ikirundi Sentare yakoze na cane cane dufatiye kuri ico cerekeye umukwe wo ku ndaro ; Ko rero uru rubanza rudashobora gusambuka ;

K U B E R A  I Z O  M V O  Z O S E :

SENTARE NTAHINYUZWA ISHASHE MU GISATA CA GASAMBURAMANZA ;

Yihweje Ibwirizwa n° 1/018 ryo ku wa 20 Gitugutu 2004 ryerekeye Ibwirizwa Nshingiro Mfatakibanza rya Republika y'Uburundi ;



Yihweje Ibwirizwa n° 1/004 ryo ku wa 14 Nzero 1987 ryerekeye iringanizwa ry'amaSentare n'ububasha bwazo ;

Yihweje Itegeko Bwirizwa n° 1/51 ryo ku wa 23 Mukakaro 1980 ryerekeye isambuzwa n'iburanishwa ry'imanza muri Sentare Ntahinyuzwa ;

IMAZE GUSHIRA URUBANZA MU MWIHERERO NKUKO AMATEGEKO ABIVUGA ,

ishinze ko :

- Yakiriye isambuzwa ariko isanze ridashemeye ;
- Irahakanye gusambura urubanza RCA 381 rwa Sentare Nkuru y'Igihugu ya Cankuzo ;
- Iyi ngingo izokwandikwa mu gitabo c'imanza z'iyo Sentare iruhande y'urubanza rudasambuwe ;
- Amagarama atangwa na B. Imelda nayo ni 10.600 FBu;

Uko niko ruciwe kandi rusomwe i Bujumbura mu ntahe y'icese yo ku wa 28 Nzero 2005, hashashe umukuru w'intahe, abacamanza bafashijwe n' umushikirizamanza mukuru hamwe n' umwanditsi w'imanza.

**KWIHWEZA URUBANZA.**

B. Imelda yashikirije Sentare Gasamburamanza urubanza rwaciwe ku rwego rugira kabiri ruvuga ko inzu yubatswe na B. Béatrice isangizwa umugabo w'uyo Béatrice hamwe n'umwana Béatrice yavyaye w'ishushu yitwa N. Jean Claude ku rugero rungana.

B. Imelda mugusaba ko urwo rubanza rusambuka yavuga ko umukobwa wiwe yavyaye umwana w'ishushu ariwe N.Jean Claude, aca araheza aja gusaba parcelle muri commune kugirango yubake inzu izofasha uwo mwana. Ko urubanza rwari rwasangije N. Jean claude hamwe n'umugabo wa nyina wiwe, ariwe S. Cassien, kandi yari umukwe wo ku ndaro, B. Imelde yabonye ko anyazwe, bica bituma yifuza ko urwo rubanza rwosambuka.

Uwo mukwe wo kundaro, S.Cassien yireguye avuga ko urwo rubanza rutosambuka kuko ariwe yaheraheje kwubaka iyo nzu ndetse n'ubu akaba ariwe akiyirihira ama taxe ya commune.

Sentare Gasamburamanza, imaze kubona ko Sentare nkuru y'igihugu yaciye urwo rubanza yatohoje igasanga B. Béatrice na S. Cassien bari bubatse biciye mu mategeko, yarahakanye gusambura urwo rubanza ivuga ko urubanza rwacitse rutunganiriza bose.

Ngaha twokwibaza ko hamwe B. na S. boba baravyaranye abana, ko urubanza rutoba rurenganya abo bana kandi bavutse ku bavyeyi bubatse biciye mu mategeko kuko abo bana baca bagabangana gusa uruhande rwa se wabo n'ayo umwana w'ishushu akegukira igice cose wenyene. Ikindi naco, twokwibaza ko iyo umukenyezi afashije umugabo wiwe kurangiza inzu canke ibindi bikorwa ko yoshobora kugira urwitwazo rw'ivyo bikorwa kugirango avuge ko abana atavyariwe n'uyo mugabo bubakanye biciye mu mategeko boronka uruhara kuri iyo nzu canke ivyo bikorwa nyina yoba yarafashije kurangura canke seho vyoguma ari ivy' umugabo wenyene.

Tubona ko Sentare Gasamburamanza yari gusambura urwo rubanza kugira ngo habeho itohozwa rigaragaza ko B. Béatrice na S. Cassien atabana bavyaranye, kugira ngo abo bana baheze bagaburirwe ivyo nyina wabo yasize, mubice bingana atamwana n'ikinono. Mugihe Sentare yosanga n'aho atabahari, Sentare yari gusangiza iyo nzu uwo mwana hamwe n'umugabo wa nyina mu gihe akiriho, n'ayo igihe uwo mugabo atoba akiriho, iyo nzu igaca yigarurirwa na N. Jean Claude wenyene, uyu nawe amaze gupfa inzu ikagaruka mu muryango wa Béatrice.